# Klamidia, insiguro zigenewe umugwayi w’ingwara

## Ni kubera iki nahawe izi nsiguro?

Waraketswe, canke urakekwa kuba,waranduye ingwara ya klamidia. Hano uraronka insiguro zerekeye ingwara ya klamidia, ukwo uwo mugera uvurwa hamwe n’ivyo ukwiye gukora.

## Klamidia ni iki?

Klamidia ni ingwara imenyerewe iterwa n'umugera. Iyo wayanduye, klamidia barashobora kuyisanga mu karingoti gasohora amasobe, mu gihimba c’irondoka c’umugore hamwe/canke mu muringoti usohora umwanda mukuru. Rimwe na rimwe barashobora no kuyisanga mu muhogo.

### Noba nshobora kumenya gute ko nanduye klamidia?

Abantu benshi bayanduye nta bimenyetso bafise, bisigura ko utamenya ko wanduye uyo mugera. Urashobora kugendana klamidia igihe kirekire, rimwe na rimwe ikanamara imyaka myinshi, bitanaboneka na gato.

Abantu bamwe bashobora kwunva agasonga gato iyo bariko barasoba.

Abagore barashobora kuva uturaso hamwe no/canke bakagira ububabare munsi y’umukondo. Abagabo barashobora kugira amasobe afise ibara ryera ribonerana hamwe n’ububabare mu mavya. Iyo wigeze kugira imibonano biciye mu nyo, urashobora kuva uturaso mu nyo.

### Klamidia yoba iteye ubwoba?

Mu gihe itavuwe, umugore arashobora kugwara mu turingoti tuja mu gitereko, ivyo bigatera ingorane yo gusama inda. Birashobora kandi gutuma umwana mu nda akurira hanze y’igitereko (inda zo hanze y’igitereko). Abagabo arashobora kugwara mu mavya. Ingwara ya klamIdia irashobora gutuma ugwara amaso, irashobora kandi igatuma umuntu ababara mu ngingo.

## Klamidia yandukira gute?

Klamidia yandukira biciye mu mibonano mpuzabitsina idakingiye mu gihimba c’irondoka c’umugore, mu mibonano ikorewe mu nyo canke imibonano ikorewe mu kanwa. Ishobora kandi kwandukira biciye mu gihe co gukorakoranako imbere y'ibibonano mpuzabitsina hamwe no mu bikinisho bikoreshwa mu mibonano mpuzabitsina. Ingwara ya klamidia irandukira cane naho iterekana ibimenyetso.

Ntushobora kugira ukwigwaniria kw’umubiri ku ngwara ya klamidia kandi urashobora kurwara klamidia incuro nyinshi.

Klamidia **ntiyandukira** biciye mu mpuzu, udutambara two kwihanagura canke mu kwicara ku musarani.

## Klamidia ivugwa gute kandi ni gushika ryari nshobora kuyanduza abandi?

Ingwara ya klamidia ivugwa na antibiyotike (ibinini). Ukuvugwa ni ku buntu. Imigera y’iyo ngwara izozimangana mu gihe ufashe ibinini nk'uko bitegerezwa kandi ugakurikiza n'impanuro wahawe. Inyuma y’imisi icumi umaze gufata ibinini vya antibiyotike ntuba ugishobora kwandukiza abandi. Mu gihe wafashe nk’uko bitegerezwa umuti wawe, si ngombwa kwongera kwipimisha kugira urabe ko imigera yazimanganye mu mubiri. Ariko mu gihe wibungenze utegerezwa gusubira kwipimisha kandi.

## Ni iki ntegerezwa kwitwararika kugirango sinandukize abandi?

Klamidia ni ingwara mbi cane muri rusangi hisunzwe itegeko ryo gukingira ingwara zandukira. Kugira ntiwandukize abandi, we ugwaye canke ukekwa ko ugwaye klamidia utegerezwa gukwirikiza amategeko amwe amwe, yitwa amategeko agenga inyifato.

### Amategeko agenga inyifato

- Utegerezwa kumenyesha umuntu mwakoranye imibonano mpuzabitsina ko ugwaye/canke ushobora kuba ugwaye ingwara ya klamidia.
- Utegerezwa gukoresha agakingirizo (agafuko gakingira) mu gihe ukoze imibonano mpuzabitsina imbere y’uko ivugwa ryawe/ipimwa ryawe rirangira.
- Utegerezwa gusubira kwa muganga mu gihe wabisabwe.

Nimba waronse amategeko agenga inyifato wibaza ko atari yo, urashobora kwakura umuganga ajejwe ingwara zandukira wo mu ntara ikwegereye.

Mu gihe ugwaye ingwara ya klamidia, utegerezwa kwirinda kwanduza uwundi muntu. Ikintu gihumuriza wokora ni ukwirinda imibonano mpuzabitsina canke ubundi buryo ubwo aribwo bwose bw’imibonano mpuzabitsina mu gihe c’imisi 10 inyuma y'aho watanguriye gufata ibinini vya antibiyotike. Iyo ukoze imibonano mpuzabitsina, utegerezwa kumenyesha uyo muntu ko wanduye klamidia kandi utegerezwa gukoresha agakingirizo (agafuko gakingira).

## Ukumenya abanduye

Ni nkenerwa kurondera abantu banduye ingwara ya klamidia kugira bashobore kuvurwa, ku ruhande rumwe kugira bagabanye ivyago vyo gukomereka (raba haruguru), ku rundi ruhande ni kugira birinde ko uwo mugera ubandanya ukwiragira ku bantu benshi.

Hisunzwe itegeko ryo gukingira ingwara zandukira, utegerezwa gufasha mu gikorwa co kumenya abanduye. Ibi bisigura ko utegerezwa kumenyesha uwujejwe kumenya abanduye uwo mwakoranye imibonano mpuzabitsina. Rimwe na rimwe utegerezwa kuvuga abo mwakoranye imibonano mpuzabitsina mu gihe kingana n’umwaka usubiye inyuma.

Ivyo ushikiriza ni ibanga (ikinyegezwa) kandi abo bantu ushikiriza ntibazomenya uwo uriwe. Bazomenyeshwa gusa ko bakwiye kwipimisha. Ayo makuru kandi ntazoshirwa kuri fishi yawe yo kwa muganga, ahubwo azoshirwa mu bubiko bw’amakuru bwihariye ku bijanye n’ingwara zandukira.

## Izindi nsiguro

Izindi nsiguro ku vyerekeye ingwara ya klamidia ziri kuri 1177, YOUMO (kubafise guhera ku myaka 13 gushika kuri 20 bakeneye insiguro mu rundi rurimi) hamwe na UMO (ahakirirwa imiyabaga ku ngurukanabumenyi).

| | | |
|---|---|---|
| www.1177.se | www.youmo.se | www.umo.se |

## Ku vyerekeye urwandiko rusigura kwirinda ingwara zandukira

Uru rwandiko rwerekeye ugukingira ingwara zandukira rwatunganijwe n' Ishirahamwe ry'abaganga bajejwe ingwara zandukira bo mu ntara zose zigize Ubuswidi (Smittskyddsläkarföreningen) kandi rwerekeye igihugu cose.